Ininahaza n'itaziramana ryiza cane gusumba izindi, ni ijambo LAA ILAAHA ILLA LLAAH. Nayo igisabisho ciza cane gusumba ibindi, ni ijambo AL-HAMDU LILLAAH

Mu vyakiriwe na Jaabiri (Imana Allah Imwishimire), yavuze ati: "Narumvise Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ivuga iti: "Ininahaza n'itaziramana ryiza cane gusumba izindi, ni ijambo LAA ILAAHA ILLA LLAAH. Nayo igisabisho ciza cane gusumba ibindi, ni ijambo AL-HAMDU LILLAAH"".

[حسن] [رواه الترمذي والنسائي في الكبرى وابن ماجه]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), aratwiganira ko ininahaza n'itaziramana ryiza cane gusumba ayandi, ari uko umuntu yovuga ati: "LAA ILAAHA ILLA LLAAH"; iryo jambo rikaba risigura ko ata gikwiye gusengwa vy'ukuri atari Imana Allah. Akatwiganira kandi ko igisabisho ciza cane gusumba ibindi ari uko umuntu yovuga ati: "AL-HAMDU LILLAAH"; iryo jambo rikaba ari iry'ukwemenga ko Umuhanyi w'inema zose ari Imana Allah Nyenukuninahazwa, Ikwiye gushimagizwa mu guhabwa amatazirano atunganye kandi meza.

http://sunnah.global/hadeeth/rn/show/3567